
Bibiliya y'Abana

Ishikirije

# Petero N'ubushobozi Bw'isengesho




Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Janie Forest; Alastair Paterson

Itunganywa na: Ruth Klassen

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique



Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org





©2024 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.








Intumwa Petero yagendagenda mugihugu cose avuga Yesu Kristo. Umusi umwe, mugisagara citwa rudi, ahasanga umuntu amaze imyaka umunani amugaye ari kugitanda. Maze Petero aramubwira ati: "Yesu Kristo aragukijije," "Va hasi wikorere igitanda cawe." Ako kanya aca arahaguruka. Abari bari aho bose babibonye, baca bizera Umwami Yesu.


Mugisagara c'i yopa, abantu baho bari bababaye. Umukristo yitwa Doruka yari yapfuye. Abagenzi biwe bari bamaze gutegura ikiziga ciwe kugira ngo baje kumuhamba, hanyuma baca bamushira mucumba co hejuru mw'igorofa.
3


Ariko abagenzi ba doruka bamenya ko Petero ari muri ako karere. Baramuhamagara ngo aze i yopa adatevye. Amaze gushika mucumba co hejuru, abapfakazi bamwereka impuzu Doruka yahora ajisha. Bose bariko bararira.
4



Ariko Petero aca arabasohora bose, arafukama hanyuma arasenga. Ahindukiriye umubiri, aravuga ati: "Doruka, vyuka!" Doruka arakanura, abonye Petero aca aricara.
5


Amufata ukuboko aramuhagurutsa. Aca ahamagara abari ngaho n'abapfakazi amubasubiza ari muzima. Ivyo bica bimenyekana i yopa hose, beshi bizera umwami Yesu.
6


Petero aguma i yopa igihe gito, aba munzu yari hafi y'ikiyaga. Umusi umwe yuriye kunzu kugira asenge.
Aravye hasi kumpome z'igisagara, abona abantu batatu b'ingenzi baje aho ari.
7


Abo bantu bari ab'umugabisha w'ingabo yitwa koruneliyo, kandi bubaha Imana. Yari yarungitse abo bantu kuri Petero kuko umumalayika yari
yamubwiye mundoto ati: "Hamagara Petero. Ari munzu y'umujishi. Azokubarira ico ukwiye gukora".
8

Mugihe Petero yariko asenga ari hejuru, Imana imuha iyerekwa. Abona ikintu kimeze nk'urusenga runini cururuka kija kw'isi kandi murico harimwo ibikoko vyose n'inyoni. Petero aca avuga ko bihumanye, kandi ko abayuda badashobora kubifungura. Haza ijwi riramubwira riti: "Va hasi Petero, uvyice hama ubirye."




9

Ariko Petero aravuga ati: "Oya, Mwami, sinigeze mfungura ibintu bizira canke bihumanye." Ryajwi ryongera kumubwira ubugira kabiri riti: "Ico Imana yise icera , ntusubire kukibona nk'ikizira." Ivyo vyamushikiye incuro zitatu zose, hanyuma cakintu kimeze nk'urusenga gica gisubizwa mw'ijuru.




10

Petero ntiyatahuye insiguro y'iryo yerekwa. Ariko aravyiyumvira, Mpwemu yera aca amubwira ko hari abagabo batatu bariko baramurondera kandi ko yomanuka akabaraba.




11

Abo bagabo batatu bamaze kubwira Petero ko umumarayika yabwiye Koruneliyo kuza kurondera Petero, Imana iba ishingiye intahe ubutumwa bwayo yamuhaye. Umusi wakurikiye, we n'abagenzi biwe batandatu baca baja kwa koruneliyo.



12

Begereje inzu y'umuntu atari umuyuda, Petero atangura gutahura ko Imana ikunda abantu bose, Imana ishaka ko amahanga yose amenya ko Yesu ari umukiza w'abantu bose. Petero amaze gushika kwa koruneliyo, koruneliyo arunama kubirenge vyiwe aramufukamira.



13

Petero amukura hasi aramubwira ati: "Va hasi, kuko nanje nd'umuntu nkawe." Hanyuma aca abarira abari bari aho muri iyo nzu ati: "Murabizi ko bitemerwa ko umuyuda yifatanya n'umunyamahanga canke kwinjira iwe."

"Ariko Imana yanyigishije kutaraba umuntu n'umwe nk'uwuhumanye."



14

Petero abarira abo atari abayuda ko Umwana w'Imana, yapfiriye k'umusaraba hama akazuka kugira ngo abe umucunguzi w'abantu bose. Ako kanya Mpwemu yera aca abururukako, baca batangura guhimbaza Imana. Abo bagenzi ba Petero b'abayuda baratangaye cane. Vyabaye nko k'umusi wa Pentekoti. Ingabire ya Mpwemu yera yari yashitse no kubapagani. Petero aca abatiza abo bizeye Yesu bashasha.



15

I yerusalemu, abakristo bacabatangura kwagiriza Petero ko yagendeye abapagani. Maze Petero aca atangura kubabwira iyerekwa yagize hamwe n'iyerekwa rya koruneliyo. Bamaze kwumva ivyo, abakristo b'i yerusalemu baca baranuma. Kandi baca baha icubahiro Imana yoyo biciye mw'isengesho yeretse ishengero ko urukundo rw'Imana ari urw'abantu bose.



16

Petero N'ubushobozi Bw'isengesho

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Ivyakozwe n'intumwa 9-12

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130

17

# Iherezo

57 60

18

Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16

19